**REPUBLIQUE DU BURUNDI**
COMMISSION NATIONALE INDEPENDANTE DES DROITS DE L'HOMME
**(CNIDH)**

## ITANGAZO RY'UMURWI W'IGIHUGU WIGENGA UJEJWE AGATEKA KA ZINA MUNTU (CNIDH) KU MATORA YO MU MWAKA W'2020

Inyuma y'amatora y'Umukuru w'igihugu, Abashingamateka n'Abajenama ba Komine, yabaye ku wa 20 Rusama 2020, Umurwi w'igihugu wigenga CNIDH uramenyesheje Abarundi n'amakungu ibi bikurikira :

1. Umurwi w'igihugu wigenga CNIDH wararungitse abakomiseri n'abandi bakozi bawo mu ntara zose z'igihugu kugenzura ingene agateka ka zina muntu kubahirijwe mu gihe c'amatora. CNIDH ni icabona ko amatora yagenze neza mu gihugu cose, naho abahiganwa bari benshi n'ivyiyumviro bitandukanye, ariko bagahurira kurazwa ishinga n'iterambere kuri bose.

2. CNIDH iremeje kandi ko ayo matora yatunganijwe mu gihe amahoro, umutekano n'agateka ka zina muntu vyari vyifashe neza mu gihugu.

3. Umurwi CNIDH urashima ishaka ry'abahiganwa baserukira imigambwe canke abigenga ku nyifato yabaranze mu gukoresha imvugo idaca ivutu abarundi, mu mwumvikano, mu kwihangananira no kubahana mu gihe cose c'amatora.

4. Umurwi CNIDH warafashije biboneka mu gutatura amatati y'abashamiranye na cane cane mu ntara za Gitega na Bujumbura. CNIDH iguma ihagaze ku ciyumviro c'uko inyuma y'amatora, kubana mu mahoro n'umwumvikano mu bonse rimwe bizoguma ari akaranga k'agaciro ntangere.

5. Umurwi w'igihugu wigenga CNIDH urateye intege abajejwe gukungira umutekano kwamana na ntaryo umutima wo gukunda igihugu no gukingira agateka ka zina muntu ata nkunzi, nkuko bahejeje kubigaragaza mu gukingira umuteno muri aya matora, azwi nk'igihe gihambaye mu buzima bw'igihugu.

Jonction Boulevard Mwezi Gisabo et Avenue Muyinga, B.P. 1370 Bujumbura Burundi,
Tél. (+257)22277120, Numéro vert: (257) 22 27 71 21, Whatsapp (257) 68 22 67 67
e-mail : cnidh@cnidh.bi, Site Web : www.cnidh.bi, Twitter: @CNIDH_Bdi, Facebook: CNIDH_Burundi

6. Umurwi w'igihugu CNIDH ubona ko Abarundi, ata wusigaye inyuma, bageze ku ntambwe idasanzwe yo kwitaho ineza y'igihugu cabibarutse. Tuboneyeho akaryo ko kubakeza ku nyifato nziza yabaranze muri ico gihe c'amatora. Tukabasaba ko naa ntaryo bokwama babaza umutima mu vyo bakora kugira batsimbataze demokrasi ishingiye ku kwishira no kwizana hamwe n'ukubahiriza agateka ka zina muntu.

7. Umurwi w'igihugu urasavye kandi abahiganwe gushira imbere ineza y'igihugu no kwubahiriza ivyavuye mu matora, gutyo Uburundi bubere akarorero keza n'abandi bakavantara. Ivyo birarashe kuko « amatora ni yo nzira y'amahoro », nkuko abahinga bakunze kubivuga.

8. CNIDH iranebaguye ikoreshwa ry'abana batarashikana imyaka 18 mu gihe c'amatora, kandi hari amategeko y'igihugu na mpuzamakungu abakingira. Ugiriyeko usaba abanyapolitike kutazobisubira mu bike bizokurira.

9. CNIDH irashigikiye imigambi yo gufashanya n'akarere n'amakungu, hubahirijwe ubwigenge n'intahe yo kwikukira vy'igihugu, yotuma abenegihugu bamererwa neza mu gateka kabo mu bisata vy'imibano n'ubutunzi.

Murakoze.

Bigiriwe i Bujumbura,

Ku wa 23 Rusama 2020

**Dr. Sixte Vigny Nimuraba**

Umukuru w' Umurwi

Jonction Boulevard Mwezi Gisabo et Avenue Muyinga, B.P. 1370 Bujumbura Burundi,
Tél. (+257)22277120, Numéro vert: (257) 22 27 71 21, Whatsapp (257) 68 22 67 67
e-mail : cnidh@cnidh.bi, Site Web : www.cnidh.bi, Twitter: @CNIDH_Bdi, Facebook: CNIDH_Burundi